jesus beim WORT genommen

März / Mars 2018 *kirundi*

Imana irasumba umutima wacu!

(1Joh 3,20)

Imana ni nkuru!
God is greater!

„Freunde des Wortes“

Kontakt: Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen
Tel.: 0049-172-5638432
Mail: mail@onword.de

homepage www.onword.de

Bakunzi b'Ijambo,

Kenshi, Imana iraduha akaryo ko guca mu bintu aho idufasha guca ikanda ikinyezwa cayo. Nibutse umukenyezi akiri muto twigeze guhura. Emwe, vyari vyamukomeranye. Yakomoka mu muryango w'aboro kandi yari afise ubwenge bwinshi. Akiri muto yari yaciye mu bintu vyinshi vyamutuma yama ababaye kenshi. Yari yaratomoye imigambi ashaka gushikako, Ariko yashaka kuyishikira wenyene, n'ubushobozi bwiwe. Yari rero yacitse nyamwigendako.Ubwishime bwiwe, n'aho butiserura, bwari bwaramukuyeko abagenzi. Ico yari asigaranye yari amarira- ukwihebura, ubunyakamwe be n'ukwiyanka we nyene.

„Nka kikigenda! Nama nsubira gukora ico ntashaka! Ndakomeretsa abantu, nabo bagaca bampunga. Ivyo ari vyo vyose, nta woshobora kubana nanje - eka na jewe ntawe twobana“! Ndiraba ndi mu mosozi, nkumva ikimbwira kiti : „nta kikigenda!“

„Ariko nta rubanza nguciriye“! Uko niko namubwiye, maze kwihweza ingorane arimwo. Arambaza atangaye ati : „kubera iki?“. „Sinkwiye vy'ukuri ko hari uwemera kumbera umugenzi!“ Tumaze kuyaga vyinshi, niho habonetse aho ashobora kwiyugururira no kuririra. Vyose vyararonse ikibanza. Yarashoboye gusubira guhema. Umushwarara -wuzuye ubukengurutsi- warashwaye amaso yiwe. Ico sinzocibagira. Imana niho yari iri, yaramukozeko kandi iramukiza.

Bakunzi b'Ijambo, “umutima wacu ni watuburanya – Imana ni nkuru gusumba umutima wacu, kandi irazi vyose!“(1Yoh 3,20). Iryo ga yemwe si ijambo rihumuriza? - Igihe cose twumva twihaze, iyo twumva twishisha, twiyanse vy'ukuri, twibuke ko Imana iri aho, ni nkuru kandi irazi vyose. Ukwo kwemera kuraduha akaryo gashahsa, aho nyene ata na kimwe kikigenda. Nico gituma wokwama wibwira ati : **„Imana ni nkuru! - God is greater!** Bisubiremwo uti **„Imana ni nkuru! - God is greater!** Aho rero niho uzokura mu maso y'urukundo rwayo!

Ku bwa OnWorldTeam Meinolf Wacker